REPUBLIQUE DU BURUNDI

Bujumbura, le 31/3/2020

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

N° 630 /1343/CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : **ITANGAZO RY'UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA RYEREKEYE GUTANGAZA CORONAVIRUS MU BURUNDI:**

Kuri uyu wa mbere igenekerezo rya 30 ntwarante 2020, ibitalo vyo mu Giteranyi n'ivya BUMEREC vyaramenyesheje Ubushikiranganji bwo Kubungabunga Amagara y'Abantu no Kurwanya Sida ko hari abantu biketsweko ibimenyetso vya coronavirus.

Abahinga bo mu bushikiranganji, baciye bihutira kubasuzuma no kubafata ibipimo.

Mu bitalo vyo mu Giteranyi bari abantu 3 baje bava muri Tanzaniya, mu bitalo BUMEREC naho bari 2.

**Ibipimo vyakozwe muri laboratoire ya INSP vyerekanye ko abo bantu bo mu bitalo vyo mu Giterany uko ari 3 ata kiza ca Coronavirus barwaye.**

Mu bitalo BUMEREC bari abantu babiri bagiye kuhivuriza.

Uwa mbere ni umurundi w'imyaka 56, aba ngaha mu gisagara ca Bujumbura, akaba yari yatashe avuye mu Rwanda. Yari mu bitalo kandi afise ibimenyetso vy'ibicurane kuva igenekerezo rya 18 ntwarante 2020.

Uwa kabiri, na wenyene ni umurundi, w'imyaka 42, aba ngaha mu gisagara ca Bujumbura, akaba yaheruka kuva i Dubaï. Yari yaje kwivuza afise inkorora, ibicurane n'ubabare bw'umubiri.

**Ibipimo vyakozwe muri laboratoire ya INSP vyerekanye ko abo bantu bo mu bitalo vyo muri BUMEREC uko ari 2 bose banduye umugera w'ikiza ca Coronavirus.**

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Ministre B P 1820 BUJUMBURA Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA



B.P 1820 Tél. (257) 22 22 91 96 (257) 22 24 25 42 BUJUMBURA

Ingingo yafashwe ni uko abo barwayi baca bazanwa mu kigo categuriwe kuvura ikiza ca coronavirus kiri mu bitalo Clinique Prince Louis Rwagasore.

Ariko ico mwomenya ni uko ubuzima bw'abo barwayi butabangamiwe.

Kubera ko twinjiranywe n'ikiza ca Coronavirus, tugiye kwihatira gufata ingingo zose zo gukurikiranira hafi ico kiza no kukirwanya kugira ntikibandanye kirandagata mu gupima cane cane abantu babonanye n'abo barwayi.

**Nico gituma, Ubushikiranganji bwo Kubungabunga Amagara y'Abantu no Kurwanya Sida busavye abenegihugu gutekana, no kubabandanya gukwirikiza neza impanuro zose zo kwirinda ikiza ca coronavirus.**

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 31 Ntwarante 2020**

**IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI WO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y' ABANTU NO KURWANYA SIDA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Ministre
B P 1820
BUJUMBURA
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA